LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

**N°527 Co kuva kuwa 18 gushika kuwa 24 Rusama 2026**

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 24 Rusama2026, abantu bashika 868babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 781 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

## IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA..........5*

*I. UMWIHWEZO ..........5*


*II.UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ..........11*

*III.UBURENGANZIRA BW'IMIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA..........18*

*IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI ..........19*

*V. UGUSOZERA N'IBISABWA..........20*

*INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023*



# *IMPFUNYAPFUNYO*

***CNDD-FDD:*** *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi(umugambwe uri ku butegetsi)*

***RDC:*** *Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo*

***CDS:*** *Ikigo c'ubuvuzi*

***ONPRA:*** *Ikigo c'igihugu kijejwe gukingira impunzi hamwe n'abatagira ubwenegihugu*

***OPJ:*** *Inyamiramabi*

***CNL :*** *Umugwi w'igihugu w'ukubohoza*

***PARCEM : Ishirahamwe rihamagarira guhindura ingendo***

***TPO :*** *Ishirahamwe rifasha abagendana ubumuga bwo mumutwe*

***CCM :*** *Umugambwe uri ku butegetsi muri Tanzaniya*

***EX-FAB :*** *Abahoze mu gisirikare c'u Burundais.*

***PAFE : Igipolisi kigenzura ikirere,imbibe hamwe n'abanyamahanga***

***CAC :*** *Sentare igwanya ibiturire*

***PAEEJ : Umugambi ushigikira imigambi y'urwaruka hamwe nokubaronsa akazi***

# URUTONDE RW'IBIRIMWO

*0. INTANGAMARARA*..........3
*I.UMWIHWEZO.*..........4
*I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE.*..........4
*I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO.*..........5
*I.3.UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE.*..........7
*I.4. UMWIHWEZO W'UBUFASHA*..........*8*
*I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO*..........*9*
*I.6.UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*..........*9*
*II.UMWIHWEZO W'ABANTU NO MURI POLITIKE*..........14
*II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA.*..........14
*II.1.1.* UBWICANYI BUTEGUWE..........14
*II.1.1.1 ABANTU BISHWE N'ABAKORERA RETA*..........14
*II.1. 1.2. ABANTU BISHWE N'ABATAMENYEKANYE CANKE ABATOWE IBIZIGA*..........14
*II.2.UBURENGANZIRA BW'UKUDAHOHOTERWA.*..........16
*II.2.1.UKUBOREZWA IGUFA, UGUFATWA BUNYAMASWA N'AYANDI MABI*..........16
*II.2.2. UGUFATWA KUNGUVU*..........16
II.2.3.AMABI YO MU MAZU..........17
*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO-UBUTUNZI N'IMICO KAMA*..........18
*III.1. UNURENGANZIRA KU NDERO*..........18
*III.2. UBURENGANZIRA KU MAGARA*..........18
*IV.UBURENGANZIRA BW'IMIGWI*..........19
*IV.1.UBWICANYI BW'ABANA*..........19
V.UGUSOZERA N'IBISABWA..........20

# 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 18-24Rusama 2025.Muri iki cegeranyo,umuhari Iteka kirihweza kandi ivya politike,umutekano,ubutungane,ubufasha,intwaro ibereye hamwe n' ubutunzi.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike vyaranze iyindwi, uburenganzira ku mibano,ubutunzi n'imibano hamwe n'uburenganzira bw'imigwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka rimeze uku gukwirikira: n'imiburi-buri abantu 5 barishwe harimwo 4 batowe ibiziga,umuntu 1 yafashwe bunyamaswa ;abantu 5bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abana b'abakobwa 2 bafashwe ku nguvu hamwe n'abagabo 2 n'umugore 1 bakorewe amabi mu mazu.

Ahanini abikekwako ayo mabi n'abo mu ntwaro,abapolisi,hamwe n'urwaruka rw'Imbonerakure z'umugambwe uri u butegetsi, CNDD-FDD.

# I. UMWIHWEZO

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*

### Iterabwoba rikorerwa abanywanyi b'imigambwe itavugwa rumwe na Reta muri komine Kirundo mu ntara ya Butanyerera.

Ku mutumba Gihosha, komine KIRUNDO, umunywanyi w'umugambwe CNL yitwa Ngendabanyikwa Livingston yahungutse ava mu Rwanda (Mahama) muri 2020 yaravuzwe mu nama n'umunyabanga w'umugambwe CNDD-FDD ku mutumba ko ari umuntu mubi mu banyagihugu kandi ategerezwa gukwirikiranwa kubera atagomba guhindura ngo yinjire mu mugambwe CNDD-FDD. Muri kino gihe ari mu bihe vy'ubwoba kubera atazi ibimurindiriye.

### Inama y'abanywanyi b'umugambwe CNDD-FDD muri komine Ruyigi mu ntara ya Buhumuza.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 23 Rusama 2026,muri komine ya Ruyigi, zone ya Rusengo, umugambwe CNDD-FDD waragize inama hamwe n'abanywanyi n'abakunzi bawo.Ico gikorwa canahuje abanywanyi b'uwo mu gambwe bava mu mazone bahana imbibe,nka zone ya Ruyigi na zone ya Bweru.

Inama yari irongowe na M.NKUNZIMANA Fiacre, arongoye umugambwe CNDD-FDD muri komine ya Ruyigi. Iyo nama yarimwo kandi umushingantahe BARUTWAYANO Gérard, umunyamabanga w'umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya BUHUMUZA. Inyuma yo guha ikaze abitavye inama muri rusangi hamwe n'abatumire ku rundi ruhande,uwurongoye umugambwe muri komine yarahaye ijambo umushingantahe Gérard BARUTWAYANO. Mw'ijambo ry'iwe,uwo yibukije abanywanyi b' umugambwe,batazira aBagumyabanga, ko amatora y'umukuru w'igihugu azoba mu mwaka uza,kuwa 3 Rusama 2027.Yaratomoye ko uwuzokwitoza atanzwe na CNDD-FDD muri ayo matora yashizweho. «Ni Nyenicubahiro Général Major Evariste NDAYISHIMIYE, umukuru w'igihugu w'ubu », yarashikirije. Yaranahimirije a Bagumyabanga bose kuvyitegurira neza.

Umushingantahe Barutwayano yarashikirije ivyo anegura iyindi migambwe,ashimangira cane cane ku migambwe 5 itavuga rumwe na Reta iheruka gushira ahabona urwandiko. Yashikirije : « Mwihoze imigambwe ivuga ko itazoja mu matora. Barikuyemwo muri 2010 kandi twagumyemwo. Muri 2015,barateye bongera barikura mu matora,ariko twarabandanije. Ni muri 2020 no muri 2025 batakaje ivyo bari biteze,bidogera ubusuma mugihe ivyo vyari vyatewe no kubura abanywanyi.Ubu rero,

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE (Ibikurikira urupapuro 5)*

ntimubumvirize, tugume ku rugamba rwacu.Twiteze intinzi itagabanije.CNDD-FDD, hagarara neza gushika Yezu agarutse. »

Ivyo ni ivyashikirijwe na Gérard Barutwayayo ku kibuga c'umupira w'amaguru ca zone Rusengo, komine Ruyigi, kuri uyu wa gatandatu igenekerezo rya 23 Rusama 026. Imbere yo husozera inama ,uwuserukira umugambwe mw'ikomine yarerekanye abanywanyi bashasha baheruka kwinjira mu mugambwe.Ariko rero,amasoko amwe amwe yo mu mugambwe yashikirije ko atari abinjiye bashasha,ariko ko ari umukenyuro ugamije guhuma amaso amakungu.

**Intererano zo ku gahato muri komine Bugabira mu ntara ya Butanyerera.**

Kuva kuwa 15 Rusama 2026, izone yose yagutse ya Bugabira yariziziwe ku gahooro n'abarongoye umugambwe CNDD-FDD. Uwo mugwi uhurikiyemwo abantu bakomeye,nk'umunyamabanga wa zone ,umukuru w' Imbonerakure, uwutwara umuhari w'abakenyez,uwutwara abahoze ku rugamba,hamwe n'ibindi bihangange bizwi mu kibano.Intumbero nyamukuru yabo yari iyo gutoza amahera 2.000 fbu kunzu kunzu yo gushigikira abarimyi baho.Vyongeye barasaba intererano y'amahera 10.000fbu kunzu kunzu,ku badandaza hamwe n'abakozi ba Reta. Iryo toza ry'uburyo ryashizweho mu ntumbero yo kwibuka umukuru w'igihugu Pierre Nkurunziza,yaranze kahise k'igihugu. Ariko rero,abanyagihugu bashikiriza akababaro kuri iyo ngendo,kubera udupapuro tuvyemeza ko bayatanze ntibaturonka.

Vyongeye,umuryango wanka kuyatanga bihutira kuwita umwansi w'umugambwe uri ku butegetsi.Ako gasakisaki mu kibano no muri politike kararemereye abahaba.Birakenewe ko tumenya ko iryo toza ryatanguye ku mitumba bahana urubibe n'u Rwanda,nko mu micungararo ya Kiyonza, Rugasa, Nyamabuye na Kiri, aho ukwiyemeza n'ukugaba kw'abahaba vyibonekeza bikabije.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

**Inkoho yaratowe muri komine Ngozi, intara ya Butanyerera**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa19 Rusama 2026 ivuga ko kuwa 17 Rusama 2026,hafi igihe c'isaha 11 z'umuhingamo,muri karatiye Kinyami, zone na komine Ngozi, intara ya Butanyerera, inkoho yo mu bwoko bwa kalachnikov yaratowe mu gikoni inyuma y'imifuko y'amakara mu bunywero buri muri iyo karatiye.

Kubwo ivyabona vyaho,igipolisi caratabajwe n' umuzamu w'ubunywero hama abatanga ibinyobwa mu bunywero 6 barahagaritswe n'abapolisi bo muri komisariya y'igipolisi i Ngozi.Kubwo ababibonye i Ngozi nyene,ubwo bunywero ni ubwo kwa Faustin Ndikumana umukuru wa PARCEM. Umushingwamanza wa Repuburika,inyamiramabi n'izindi nzego zijejwe umutekano hamwe n'intwaro baratabajwe kuri urwo rubanza kandi abakozi bo muri ubwo bunywero baragize uruhara mu gufasha kumenya ukuri. Barindiriye igihe gitegekanije ngo hahere amatohoza no kumenya ikirariye abatanga ibinyobwa muri ubwo bunywero.

**Abanyagihugu bugarijwe n'ubwoba muri karatiye Gisyo, zone Kanyosha, komine Mugere intara ya Bujumbura.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 20 Rusama 2026 imenyesha ko abanyagihugu bo muri karatiye Gisyo zone kanyosha komine Mugere y'intara ya Bujumbura haciye indwi zibiri babayeho mu bwoba ntangere.

Kubwo amasoko yaho,abasuma batera ubwoba mu miryango kubera nta mugoroba wijana hadatewe n'abasuma n'imiburiburi imihana 2 kandi bakiba ibintu bitwarika babona ko bizimvye mu mihana yaho.

Abahaba bavuga ko badatahura ukuntu abasuma bavogera mu mazu yabo mugihe hari abanyezamu bahemba ku mabarabara yose bagizwe n' urwaruka rw' Imbonerakure

z'umugambwe CNDD FDD kandi banuganuga ko abo basuma bakorana n'izo Imbonerakure hamwe n'abo basuma.

Basaba ko ugukizura mw'ijoro vyokomezwa n'abajejwe umutekanonk'abasirikare mu ntumbero yo kurandurana n'imizi ako kaga kugarije imiryango isanzwe ikenye cane kubera ubuzima buzimvye buri mu gihugu.

**Inka zibwe mu Rwanda, zafatiwe muri komine Busoni mu ntara ya Butanyerera.**

Mw'ijoro ryo kuwa 18 Rusama 2026,inka 3 zo'inzungu zaribwe mu Rwanda n'abasuma b'abarundi bo ku mutumba Ruyigi, zone Nyamabuye, komine Kirundo, harimwo, Semukara, Bizimana, Sharangabo, na Mabwa.Kubwo ababibonye b'aho,inka yarafashwe n'abasirikare bacungera urubibe rw'Urwanda baca bayigumiza ku biro vya zone(ivyahoze ari ibiro vya komine Bugabira) ariko izindi nka 2 ntizatowe.Abikekwako icaha baciye barungikwa mu gasho ka parake yo mu Kirundo kugira amatohoza abandanye.Mw'ijoro ryo kuwa 19 Rusama 2026,ku mutumba Nyakizu, zone Gatare, komine Busoni, inka 2 zifise inomero RW 0087309 na RW 0028573 zaribwe mu Rwanda (ku ruhande rwa Bugesera)zica zirabonwa n'abanyagihugu b'iNyakizu. Izo nka munyuma zarafashwe n'igipolisi co mu Rusarasi(ku murwa mukuru wa komine) kuwa 20 Rusama 26 ariko abasuma ntibamenyekanye canke ngo bafatwe.

Kubwo amakuru yatororokanijwe,,izo nka zoba zibwe n' Imbonerakure zo mu Gatete ariko zitumvikanye n'izo i Nyakizu kugira babahe inzira baca bahitamwo kuhebera mu nzira kubera bwari bwakeye.Igipolisi n' intwaro ntibatanga amakuru yerekeye aho izonka zaciye gushika ku km 25 vyo ku rubibe mugihe hariho utugozi 8 tw'igipolisi n' Imbonerakure kugira ushike i Nyakizu.Iyo nkuru ivuga ko izonka zicungiwe ku kirindiro c'igipolisi ca Rusarasi kandi ko mu gitondo,abapolisi baronka iritiro 4 ku nka ifise nomero RW 0087309.

**Ukugerageza kwica umuntu muri komine Karusi mu ntara yaGitega.**

Ku musi wa gatatu, igenekerezo rya 20 Rusama 2026, imbere y'umutaga,ku mutumba Miyange, zone Bugenyuzi, komine Karizi,mu ntara ya Gitega, umugabo yitwa NZOYIHAYA, w'umu CNDD FDD afise imyaka 40 yarashatse kwica se wabo yitwa NTAMAGENDERO, w'umu CNDD FDD afise imyaka 60. Mu buzima bw'iwe bwa misi yose uwo avyagizizwa ni imborerwa itubaha n'umuntu n'umwe kandi isoko rihegereye rivuga ko anywa urumogi.Kuri uwo musi,yaragiye kwa sewabo afise umupanga amwagiriza ko yamurengeye akarimbi.Hanyuma uwo yarinyegeje munzu iwe aca ahamagara kuri terefone umukuru w' umutumba HAVYARIMANA Cyprien, yaciye azanana n' Imbonerakure baca baramuhagarika naho yaguma abatuka bongera bamujana ku gipolisi ca zone Buhiga n'umupanga wiwe kandi imbere y' inyamiramabi NZOYIHAYA yaremeje ko yagomba kumwica.Yaciye ashirwa mu gasho kugira bakore urubanza.

**Umuntu umwe yarishwe uwundi arakomeretswa cane n'imvubu i Gatete, komine Rumonge, mu ntara Burunga.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 19 Rusama 2026, ivuga ko mugitondo co kumusi wa gatandatu igenekerezo rya 16 Rusama 2026, ku mutumba busebwa (agace Kinuke), zone Gatete, komine Rumonge, intara ya Burunga, abagabo 2 bakora umwuga wo kuroba,baratewe bongera barakomeretswa cane n'imvubu,mugihe bari bagiye ku kazi kabo ku murango.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO* *(Ibikurikira urupapuro 7)*

**Umuntu umwe yishwe n'imvubu hamwe n'uwundi yakomerekeje cane mu Gatete, komine Rumonge, mu ntara ya Burunga.**

Uwambere yitwa Mpawenimana Claver yapfiriye aho nyene,mugihe uwa kabiri yitwa Ndayizeye Richard yatwawe ku bitaro vyo mu Rumonge imbere yo kurungikwa ku bitaro bimwe vy'iBujumbura. Ababa mu micingararo yaho bavuze ko iyo mvubu haciye imisi myinshi irisha muri ako karere.Umukuru w'umutumba yaribukije ko abanyagihugu ko bomera magabo imbere yo kugendera aho hantu.

**Igikorwa c'abaporisi co gutuza akagwi gakora urudandazwa rw'amazutu mu kinywabi cahindutse akaga kandi umupolisi umwe yarishwe.**

Kuwa 25 Ndamukiza 2026, umuhari Iteka warashikirije ibintu biteye amakenga i Rukoma, komine Matana.Igikorwa c'abapolisi co gutuza akagwi gakora urudandazwa rw'amazutu mu kinywabi cahindutse akaga,umupolisi umwe yarishwe uwundi muntu arakomereka cane,bitera ukwagirizwa ubwicanyi ndengera butungane.

Abapolisi 4,mu ntumbero yo gukizura mw' ijoro,baragiye mu kinyegero mu Rukoma guhagarika abahaba bikekwa ko urudandazwa rwo mu kinywabi rw' amazutu.Barafashe amapikipiki atwaye igitoro kitazwi n'amategeko.Ukutumvikana ku giturire vyahindutse mwo amatati.Abahaba bafise imipanga barivanze mu mishamirano, bituma baka inkoho umupolisiyitwa Jean Marie batako baramwica.

Uwuhaba, Clovis Bayisenge, yagirizwa gufata ikirwanisho c'umupolisi,yarakomerekejwe cane aca aragerageza kuja bitaro vyo mu Rumeza. Ku gutinya guhagarikwa,yaciye ahungira ku bitaro vy'i Kibuye. Muri ico gihe,igipolisi caratanguje uruhigi rw'abantu kugira bafate Clovis n'abandi bikekwa.Yoba yarahagaritswe agaca ajanwa ahandi vyihuta,ariko intahe zivuga ko yishwe ziguma zikwiragizwa,zikavuguruzwa n' itangazo ry'abarongozi zitwaza ko yatorotse.Umuryango wiwe ufise amakenga kuri ivyo,baravye uko yari yakomeretse bikabije.

Mu nyuma y'aho,igikorwa cisanzuye c' igipolisi carabaye ku mutumba Taba, aho hagaritswe abantu benshi,harimwo abagore bibungenze hamwe n'urwaruka.Benshi bahisemwo guhunga batinya guhagarikwa,Igitigiri kizwi c'abahagaritswe ntikizwi.

Amajambo ateye amakenga yavuzwe na komiseri w'intara ya Bururi,yoba yategetse kwica abantu bigenga bariko barivuna, biduza ubwoba butuma bikora ku nguvu birenze urugero.Abahaba basaba inyinshu kuvyabaye kuri Clovis kandi bibutsa gukuraho igihano co gupfa mu Burundi, bakemeza ko impande zose zibwirizwa guciribwa urubanza hakwica ata rubanza.Hamwe urupfu rwa Clovis rwoba rwemejwe,ivyo vyoba vyiyongereye ku rukwirikirane rw'ubwicanyi ndengera butungane bukorwa n'abajejwe umutekano.

*Uwo uri wese ubahirizwa*

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

**Ugupfunga biciye kubiri n'amategeko abapfungwa bahejeje umunyororo bakatiwe mw'ibohero rikuru ryo mu Rumonge.**

Kubwo amakuru yatanzwe mu mpera y'iyi ndwi y'uwa 23 Rusama 2026 n'umwe mu banyororo biraba,abanyororo benshi bapfungiwe mw'ibohero rikuru ryo mu Rumonge boba baramaze guheza umunyororo bakatiwe,ariko baguma bapfunzwe ata ngingo n'imwe yo kubarekura ifatwa.

Abantu biraba,benshi muribo,abapfungwa bahagaritswe mugihe bariko bariko biyamiriza ikiringo kigira 3 c'umukuru w' igihugu c'uBurundi.Isoko rivuga ko igice kimwe c'abanyororo bahejeje umunyororo bakatiwe barekuwe nyezina,kandi abandi babandanya bapfunzwe mu bintu biteye amakenga.Kubwo intahe twarose,ivyo vyatewe n'uko mw'ibohero harimwo abanyororo bazwi ko « bakora igendereza », bagirizwa ko batanga amakuru canke barega abo bapfunganywe.Abo rero boba bahaye abarongoye ibohero ibirego bivuga ko bamwe mu banyororo,hamwe borekurwa,boca bahamvya imigwi irwana canke bakaja mu bikorwa vyo kugarariza abarongozi.Ivyo babarega vyoba vyatumye umuyobozi w' ibohero ahagarika canke atevya gusohora abapfungwa benshi kandi barahejeje igihano bakatiwe.Kuri ivyo,abanyororo vyaraba bashikiriza amakenga menshi ku mutekano wabo hamwe no kuri kazoza kabo muw'ibohero.

Bafise amakenga ko bagirizwa ibindi bishasha canke ukwihora hagati bishobora gutuma bapfungwa icamaso.Bamwe bafise amakenga ko kubagumiza mw'ibohero barahejeje igihano bisa n'ugupfungwa biciye kubiri n'amategeko binyuranye n' uburenganzira shingiro bw'abantu hamwe n'amategeko ngenderwako ya Reta yubahiriza amategeko.

## *I.4.UMWIHWEZO W'UBUFASHA*

**Ibura ry'igitoro rizingamitse ibikorwa mw'ikambi y'impunzi z'abanyakongo y'i Nyankanda muri komine ya Ruyigi.**

Ibikorwa vy'abafasha mw'ikambi y'impunzi y'abanyakongo y'i Nyankanda vyarahagaze. Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 19 Rusama 2026,impunzi zaramenyeshejwe ko kubera ukubura igitoro batevye gutanga imfungurwa mw'ikambi zitangwa n' umugambi w'isiyose ku mfungurwa (PAM).

Caritas Burundi ijejwe gutanga imfungurwa yasavye umugwi ujejwe gutanga imfungurwa ko mukurindira ko imfungurwa zishika bashobora gutanga amafaranga.Umukuru w'umugwi utanga imfungurwa yaranse ico gisabo.Inyuma y'umwanya mutoya,umugwi w'impunzi zishobora kuba ziharurwa mu mirongo ibiri watanguye gutera amabuye ku nyubakwa z'ibiro z'abafasha kandi abafasha bose baciye basohoka nyubakwa.ONAPA yatanze itegeko ku bafasha guhagarika vy' imfatakibanza ibikorwa vyose vy'ikambi y' impunzi z'i Nyankanda gushika habe irindi tegeko.

Umukuru w'umugwi ujejwe gutanga yitwa Hamissi ubu arapfungiwe mu gasho ka zone Kayongozi yagirizwa kugumura impunzi.Ishirahamwe ritegamiye Reta Healthnet TPO rifasha mu bijanye n'amagara ryaratanguye gukora kuri uyu wa gatandatu kw'igenekerezo rya 23 Rusama 2026 haciye imisi 5 bahagaritse ibikorwa.

## *I.5. UMWIHWEZO W'INTWARO*

**Ugutwaza igikenye kwa musitanteri wa komine Muyinga mu ntara ya Buhumuza.**

Kuwa 18 Rusama 2026, itangazo rivuye kwa musitanteri wa komine Muyinga, umwubahwa Amédée MISAGO,yaratangajwe.

Urwo rwandiko,rurimwo ubwitonzi bw' umutware,rwerekeza ku rwaruka rwiteguriye gukora ubukwe,rubahanura ko bomenya ko bafise uburyo bukwiye.Musitanteri wa komine,mu burwaneza bwiwe,yatumirira imisore kuronka,n'imiburiburi,inzu ikomeye isakaje amabati hamwe n'imatara kugira bashinge umuryango wabo.Yaranabahimiriza kugira itongo ririmwo ibiti 10 vy'amavoka hamwe n'ibiti 100 vy'ikawa,amahirwe yo gutunga.

Iruhande,yoba yaratera intege imiyabaga y'abakobwa kwitanga mu bikorwa bizana ubutunzi,kugira bashigikire abo bazobana.Urwo rwandiko rwaseruye ivyipfuzo vya kazoza keza kuri bose,aho urwaruka rwoba urupfunguruzo rw'iterambere,n'icipfuzo co guhindura igihugu mu gihugu cifashe kuva ubu gushika muri 2040, kandi giteye imbere muri 2060. Ariko rero,inyuma y'iryo tangazo, icuka c'ukubinegura carumvikanye .

Abantu benshi baridogera ivyo bafata nk'ukwivanga kwa musitanteri muvyo gushinga umuryango.Vyongeye,bamwe bemeza ko itangazo rishingiye ku majambo ya musitanteri,rinyuranye n'ingingo ya 29,akarongo 1,ryo mw'ibwirizwa shingiro ry'u Burundi,riha uburenganzira umuntu wese bwo kwitorera uwo bubakana kandi rivuga ko ubugeni bushoboka mugihe abubakana babihurijeko.Mu mategeko, ubugeni buciye mu gisata c'ingo n'imiryango hamwe no mw'ishengero, bufise uburenganzira bwo gukingirwa n'Igihugu. Gutyo, iciyumviro kimwe kiraja ku mugaragaro: iciyumviro gukuraho iryo tangazo, rifatwa nk'iriciye kubiri n' amategeko.Kubwo abatavuga rumwe na Reta,iterambere rya komine ryoravye abanyagihugu bose,ntirigarukire ku bimirije kugira ubugeni gusa. Inkuru y'iryo tegeko yari yabaye rero ikiganiro kidasanzwe, izana icuka kibi hamwe n' ivyiyumviro bitandukanye mu banyagihugu.

## *I.6. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI*

**Ugukura ku burongozi uwukwirikirana inyubako zinini za Reta mu Burundi.**

Urugendo rw'umukuru w'igihugu Évariste Ndayishimiye ku ruganda rw'inyubako ry'aho inkwavu zizovyarira i Karusi, rwabaye kuwa 18 na 19 Rusama 2026, rwazanye impinduka ikomeye mw'itunganywa ry'imigambi ya Reta mu Burundi.Imbere y'amafaranga angana na imiriyaridi 2,39fbu yasohowe kuva mu 2023 ata terambere ry'ibikorwa riboneka, Perezida yafashe ingingo y'ikibiriraho yo gukura komiseri mukuru wa OBUHA, Lieutenant-Colonel Léonidas Nibigira, aca amusubiriza umwubatsi Dieudonné Nkunzimana, yisunze itegeko No 100/068 ryo ku wa 19 Rusama 2026. Umugambi waratswe OBUHA, kandi hasabwe igenzura ryigenga.Ivyo vyatumye i Karusi bizana intumbero z'ubuhinga bushasha.Ubwambere, uguhagarika ukudahana kubera ukudakora. Ahantu amadosiye ahagarara ntihagire inkurikizi,uwo muvuduko w'ukwubira watumye mu masaha 24,habaho kugenzura,ukwirukana,hamwe no gutanguza igenzur.Ubutumwan'uko ikibazo,ugusuzuma hamwe n'uguhana ubu vyashizweho.Ica kabiri,umwe wese abazwa amabanga yiwe.Ntikikiri ikibazo c'ikigo OBUHA gusa isugerejwe n'imyidogo,ariko kandi ni uwukijejwe.Ingaruka mbi ku bajejwe gutunganya imigambi ya Reta zitera ziyongera.

Ubugira gatatu,Reta irisigariza uburenganzira bwo kwaka inyubako

## I.6. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro10)

abazikurikirana mugihe yananiwe.OBUHA yatakaje umugambi w'i Karusi. Intumbero ni iyo kudasubira kwemerera urwego gukwirikirana nk' akamenyero gasanzwe hamwe n'ukugurura inzira ku bigo bifise ubushobozi canke ku gisata cigenga.

Ubugira kane,ukugira igenzura hamwe no gushiraho umugwi ujejwe gusuzuma vyabaye ingendo y' urutavanako. Intumbero yerekanywe ni ugukwirikirana ikoreshwa ry'uburyo hamwe no kwerekana uruhara rw'umwe umwe.Igihe imanza zirungitswe muri parake,ingaruka yo kubabuza izoba ntamusiga.

Ivyabaye i Karusi vyaraciye ku masamirizi n' imbonerakure,biharuye kandi vyizwe ku mugaragaro. Bizana inkurikizi:umuyobozi mukuru wese ubu arazi ko umugambi wiwe ushobora kugenzurwa ku mwanya uwo ariwo wose kandi ibiharuro bizosuzumwa.

Ikibazo kiguma ari ico kumenya ko ugufatwa gutyo bizogarukira aho canke ko bizobandanya ku zindi nyubako zatevye kurangira.

Urugomero rwo ku Mpanda ruri kw' isonga.Uwo mugambi haciye imyaka wikwega,naho umukuru w' igihugu yabivuze akongera akagabisha.Itangwa ry' igiturire carashizwe ahabona,birimwo uwahoze ari umushikiranganji Côme Manirakiza, ariko muri iki gihe ntivyakurikiranywe biboneka canke ngo hashirweho ubuhinga bwo gufata ingingo.Ibarabara ry'indarayi rifatanya Tanzanie na Musongati ni ikindi co kugenzura.Ryerekanywe nk'intumbero yo gushira ahabona ubutare bwo mubwoko bwa nickel bw' iMusongati hamwe n'ukorosha ugushora hanze ,ryagumye ku rugero rw'ivyigwa hamwe n' amajambo ku mugabane w'u Burundi.Nta gikorwa na kimwe kiboneka cabonetse ku rubuga,mugihe umugambi ubandanya ku mugabane wa Tanzaniya gushika ku rubibe.

Uburyo burikora bwinshi,buva hanze,imikenyuro ya politike ikomeye,ukubura inyishu ziboneka biratuma riba mu ntumbero yo « guhagarikwa »

Ibisabwa muri sentare irwanya ibiturire (CAC). Kugi hakomezwe izo mpinduka kandi karwanywe insiguro z'akarenganyo,CAC yabwirizwa gufata muntoke intambwe yabonetse i Karusi kugira igwize igenzura ry'imigambi yo ku Mpanda hamwe n'ibarabara ry' indarayi rya Tanzanie-Musongati. Muri make,vyoba vyiza :

1. Gutangura ubugenduzi bw'abahinga bigenga kuri izo manza zibiri,bikurikiwe n'ikirangaminsi rusangi co gusubiza.

2. Guhuza inyishu hamwe n'ibiharuro vyo gukura amahera mu kigega ndetse n'amasezerano yashizweko umukono kugira hamenyekane aho vyapfiriye mu ruhererekane rw'inzego.

3. Guhanahana intambwe ku yindi kuri parake imanza aho ubunyonyezi canke amakosa aremereye vyibonekeje,kugira ngo igihano ntikigarukire ku gukurwa mu kazi gusa mu ntwaro.

Hamwe atangingo n'imwe yofatwa kuvyerekeye iyo migambi duhejeje kuvuga,Uburundi n'amakungu, boshobora kwemeza ku mugaragaro ko hariho akarenganyo mu Burundi. Gushira mu ngiro uburyo butomoye bw'i Karusi vyerekana igipimo cizewe co gupima ihagarara ryavuzwe mw'itungnywa ry' ibikorwa vya Reta.

## Igisirikare, ukunyuruza amafaranga hamwe no kwigugirako ubutegetsi

Ingenwa riherutse kuba rya Evariste NDAYISHIMIYE ku kiringo ca 2 muri 2027 rirateye umutima uhagaze hamwe n'ubwoba kuri kazoza k'agateka ka zina muntu mu Burundi. Mu ntara ya Bujumbura,inyuma yo gukora amabi yo ku mubiri hamwe n' ubwicanyi buraba cane cane abatavuga rumwe n'ubutegetsi mu mwaka 20,intwaro ya CNDD-FDD ntisiba kwongereza amabi hamwe n'ihonyangwa ry'ateka ka zina muntu,mukurondera mu buryo bwose kuguma ku butegetsi. Naho umugambwe canke abanywanyi babo bama kenshi bari muri ayo mabi,harakenewe kumenya ko abajejwe umutekano nabo bagize uruhara muri ayo mabi. Naho ataribo bakora amatohoza,bakora ibara ryo kwica.

Iyicwa rya Éric NIYONGABO, ryabaye kuwa 14 Rusama 2026 ku mutumba Samwe, wo muri zoneRugombo muri komine ya Cibitoke,ni akarorero kamwe mu mabi menshi yakozwe abandanya ku ntwaro ya CNDD-FDD.

Uwo munsi, nta rubanza na rumwe rwaciwe. Umugambwe CNDD-FDD muri komine ya Cibitoke wragize iterabwoba kubacamanza kugira babuze ingendo zose z'ubutungane ku bantu bari mu kugerageza guhagarika umuntu bitarekuwe

n'amategeko vyatumye habamwo ubwicanyi. Iki cegeranyo gifise intumbero yo kurimbura amabi ajanye n'ubutunzi,aho,munsi y'umwaka umwe imbere yo gusozera ikiringo ca mbere ca Evariste NDAYISHIMIYE, abandanya aduza amakenga ku vyerekeye kazoza k'Uburundi muri rusangi kandi n'iterambere ry'abanyagihgu ku rundi ruhande. Igisata c'amasoko ntanganguvu n'ubutare ni isoko ry' akababaro hamwe n'ibirego,bigatuma ibimenyeshejwe ata nkurikizi ku gice kinini c'abanyagihugu b' amakomine yo mu buseruko,aho babeshejweho n'ugukura ubutare.

## *Mu gisata c'amasoko ntanganguvu*

Ishirahamwe REGIDESO, rirongowe n' umusirikare,nityo ryonyene rikora rikanagurisha umuyagankuba,kandi ibikorwa vyayo ntibitahuritse.Kuwa gatatu,igenekerezo rya 13 Rusama 2026,umugwi w'abahinga ba REGIDESO,barungitswse n'ubuyobozi bukuru,warashitse ku rubuga muri komine Mugina. Ku mutumba Gafumbegeti, wo muri zone de Butahana, igikorwa cabo cari ico gutabara inani z' amashirahamwe acukura ubutare,yo,kubera ugukoresha cane amapompo y'umuyagankuba, bishobora gutuma haba ingorane hamwe n' igabanuka ry'umurindi w'umuyagankuba mu ngo hamwe no mu buzi butandukanye bukoresha umuyagankuba. Ariko,aho kuzana umuti urama,abo bahinga bashimye kwegweranya ibiturire bishika hafi imiriyoni 10 z'amafaranga y'amarundi ku bwo amakuru twatororokanije, borohereza gutyo ayo mashirahamwe kubandanya ibikorwa vyabo mu bihe nkivyo.

Mu ngo zo kuri uyo mutumba,hamwe n'izo mu Rusagara,muri zone ya Rugajo,abo bahinga bategetse abanywanyi ba REGIDESO,bafise amakonteri,ko batosangira umuyagankuba n'izindi ngo. Insiguro yatanzwe n'abo bakozi,yumviswe n' abahaba, ni uko ugusangira ikonteri hagati y'ingo nyinshi nivyo bitera kenshi amasanganya y'umuyagankuba. Naho biri uko,basa nababuze inyishu ku bibazo c'ibura ry' ibiti vy'amatara hamwe n' amakonteri , bibuza ko inzu yose ironka ivyo bikoresho. Twobibutsa ko muri Nzero 2026,ivyago 4 vyatewe n'umuyagankuba vyarabaye muri iyo komine.

Ku wa mbere igenekerezo rya 18 Rusama 2026, Anicet SAIDI,musitanteri wa komine Mugina,yashimangiye mw'itangazo ukwo kubuza gusangira umuyagankuba,naho hari amanegurwa ava mu mugambwe uri ku butegetsi. Ku bwo amasoko yacu, umugambwe CNDD-FDD wibazako benshi mubatora batagira amatara,bigatuma haba agashavu hose bishobora no kwibonekeza mu matora Evariste NDAYISHIMIYE,ntatorwe,kandi ari uwuzitoza mu mugambwe wabo. Naho umugambwe usa n' uwushigikiye abahuye n'ivyago kubwo imvo za poritike,abo barazi ko inyuma y'amatora bazosubira mu kizime mu gihe umuyagankuba utazoba urashikira inzu zose. Haba intwaro ,haba Umuyobozi mukuru wa REGIDESO, ndetse nta n' indongozi n'imwe yashoboye gutora umuti w'iyo ngorane.Mu bisanzwe,ukudashobora kuronsa umuyagankuba abantu benshi bawusaba, ishirahamwe risa riho nirisubiza inyuma ubutunzi busanzwe muri mu ngorane kuva muri 2015.

Impanuka zikomeye zijanye n'inyubako y'iryo shirahamwe sizo ngorane zonyene zihari ;ubusuma bwinshi burengeye hamwe no guhohoterwa ku rukoba vyarongerekanye,cane cane mu mazone atagira amatara.Ukuri kubabaje ni uko abakoze ayo mabi ari kenshi urwaruka ruhurikiye mu mugambwe uri ku butegetsi. Kubera atamatara ,bakora amazamu yo mw'ijoro,bakaba gutyo abarorerezi b'ayo mabi.

Igiturire kizingamitse ishirahamwe rya REGIDESO hamwe n'ibikorwa bijanye n' amahera aboneka mu mwanya muto bishigikiwe n'ibihangange vyo muri Reta,ni ukuri kwavuzwe n'abanyagihugu b'i Bujumbura. Haba ababa mu mazone fise amatara hamwe n'ababa mu mwijima basaba kwugurura ishirahamwe rihiganwa na REGIDESO,ku neza y'abantu bose hamwe no guteza imbere ubutunzi bwaho.

## *I.6. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI (Ibikurikira urupapuro12)*

### *Mu gisata c'ubutare*

Amatungo ava mu butare bigize ikindi gisata cagiyemwo igisirikare,ibikorwa vyo gufukafuka hamwe no kwigungirako biboneka neza. Umukuru w'igihugu Evariste NDAYISHIMIYE, azi ivyo bintu, yafashe ingingo yo gushiraho umurwi w'igihugu uwarirwa mu biro vy'umukuru w'igihugu. Uwo murwi wari ugizwe n'ibihangange vyo mu ndongozi z'igiporisi hamwe n'igisirikare,hamwe n'umushikiranganji wo mu gihugu hagati,uwahoze ari umusirikare kandi ari akadasohoka k'umukuru w'igihugu. Naho hari amajambo yama mu kanwa ka NDAYISHIMIYE ahayagiza igihugu c'Uburundi ko kiriko kiratera imbere kubera ubutunzi bwaco buturuka mu butare , amakuru ava mu masoko yizewe amenyeshako ko inyungu zose ziva mu butare bw'igihugu zitumbera mu muryango wiwe hamwe no ku ndongozi y'ibiro bikuru vya gisirikare, Lieutenant Général Prime NIYONGABO. Ivyegeranyo vya minsi yose bishira ahabona abo bantu 2 bakomeye mu gisata c'ubutare.
Hehuru ya Kibira, izo ndongozi zirishigikira mugucukura ubutare bashigikiwe n'igisirikare. Prime Niyongabo yari kandi mu bikorwa vyo kwihagira amatongo,cane cane mu ntara ya Burunga i Buyengero, aho abanyagihugu bafise amatongo arimwo ubutare bahuye n'ukwo kwihagira.

Umukuru w'igihugu NDAYISHIMIYE, afadiksnije n'urwaruka rw'umugambwe wiwe,bafashijwe na PAEEJ,yari kandi no mu migambi myinshi ku rwego rw'igihugu.
Kuwa 21 Rusama 2026, igihuhusi gikomeye carabaye : abaporisi bajejwe umutekano ku nyubakwa ry' ishirahamwe Tanganyika Mining Burundi basubirijwen'abasirikare. Bukeye bwaho,intumwa z' indongozi mu gisikare waragendeye ikirindiro kugira bemere neza ko bunguruje abasirikare hanyuma bategure gutangura ibikorwa vyo gucukura inzahabu. Amakuru yumvisha ko Prime NIYONGABO,afadikanije na NDAYISHIMIYE, ategura gufata ibirindiro vyose vy'iryo shirahamwe imbere yo kwitwararika ubutunsi bw'amatongo y'i Mugina,aho inzahabu ari nyinshi,ivyo vyose inyuma yo kwiyamiriza ishirahamwe ryahahora.

Ukwo kuri kurateye amakenga mu mazone 5 ya komine Mugina,aho amatongo yuzuye inzahabu kandi aho igice kinini c'abanyagihugu babeshejweho no gucukura inzahabu. Ku rundi ruhande , haravuzwe ivyerekeye kwiyorobeka mu mashirahamwe Sangwe,ari inyuma y'ubutegetsi .Kuwa 12 Rusama 2026 ,akigoro k' abanyamabanga b'umugambwe mu ntara,amatora yabereye ku butaka bwose bw ,Uburundi. Indongozi nshasha yaho ya rimwe mu mashirahamwe yamenyesheje ko Reta ytegura gutanga imiriyoni 20 y'amafaranga y ,amarundi kuri izo nyubakwa,amahera agenewe kugura ibufasha d'une de ces coopératives révéla que le gouvernement com bw'abanywanyi benshi basavuye kubera itituka ry'ingene abarundi babayeho.

Amamiriyaridi y 'amafaranga y'abarundi avuye mu kigega ca Reta,asa nayanyurujwe kubwo akarwi,mu gihe abanyagihugu barwana n'ikena ry'ibintu nyamukuru nk'igitoro,amazi,amatara ,imbuto hamwe n'ifumbire. Himirije amatora,ni ingirakamaro kumenya ko,kuva umugambwe CNDD-FDD ugiye ku butegetsi,intwaro yize guhindura izo ngorane kugira bazigire ibikoresho vyo kwiyamamaza,bagerageza kwumvisha abanyagihugu ko hamwe amatora yogenda neza,ko bazoshobora gutorera umuti izo ngorane.

Ubwo buhinga buri kandi mu gisata c'ubutare.Kuwa 02 Rusama 2026,mu nama yahuza abarongoye inani z'amashirahamwe acukura ubutare,abanywanyi bari mu ntwaro hamwe n'abarongozi'mu bushikiranganji bw'ibiro vyo mu Burundi bujejwe ubutare, hafashwe ingingo ku munwa yo guhagarika ibikorwa y'izo nani z'amashirahamwe,vyari vyategetswe kuwa 23 Ndamukiza iheze.Uwagiye muri iyo nama yamenyesheje ko iyo ngingo yavuye mu mugambwe,usahaka ko ingingo zimwe zimwe za Reta zorindira ikizova mu matora y'umukuru w'igihugu kugira barwanye ukuzohava bayavamwo canke ngo borohereze ugutsinda kw'abo batavuga rumwe.

## II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA

### II.1.1. UBWICANYI BWATEGUWE

#### II.1.1.1.ABANTU BISHWE N'IMBONERAKURE

**Umusore yapfiriye mw'ibohero kubera imbonerakure zamuboreje igufa muri komine n'intara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo kuwa 20 Rusama 2026, hafi y'isaha zitanu n'iminota 40,umusore yitwa Hakizimana Jean de Dieu, w'imyaka 28 , yarapfiriye mu gasho ka komisariya y'intara ya Gitega.

Kubwo isoko ryacu,uwo yapfuye,aturuka kandi akaba muri karatiye Zege, zone Rutegama,muri komine n'intara ya Gitega, yari yahagaritswe n'imbonerakure mw'ijoro kw'itegeko rya Hakizimana Jacques, arongoye karatiye Zege,icegera ciwe Havyarimana Onesphore hamwe na Bimenyimana Fulgence,arongoye Cndd-Fdd muri iyo karatiye.

Igihe yahagarikwa,yagirizwa ubusuma kuber yarafise akamwanya karimwo inyama z'impane. Ku bw'amakuru twatororokanije,yarakubiswe cane gushika aho ata ubwenge.

Hafi y'isaha imwe y'ijoro,umuyangayanga yarahashitse kugira yameze ko uwo musore yaguze koko inyama iwe. Naho yabivuze, Hakizimana Jean de Dieu yarajanywe hanyuma apafungirwa muri komisariya y'igiporisi i Gitega.

Hari hafi y'isaha zine n'iminota 40 z'ijoro aho yacikana mu cumba kimwe mu vyumba vya komisariya.

Bukeye bwaho, abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi hamwe n'indongozi zo mu ntwaro,kuva ku ntango gushika ku rwego rw'intara ,barateye ubwoba umuryango kugira urubanza ntiruzoje ahabona,bemera ko bazofata mu ntoke ivyerekeye ukumuhambisha.

Naho biri uko,bamwe mubahaba bamenyesha ko harimwo amakenga, bibazako bitobaho ko abantu bicwa muri ubwo buryo "abanywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD atamatohoza namwe yimbitse akozwe.Bamuhamvye kuwa gatanu igenekerezo rya 21 Rusama 2026 inyuma y'umutaga.

#### II.1.1.2. ABANU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE

**Ikiziga catowe mu ruzi Maragarazi muri komine Makamba mu ntara ya Burunga.**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 18 Rusama 2026,kuwa 18 Rusama 2026,ivuga ko ikiziga kimaze kwononekara c'umugabo catowe mu gitondo co kuwa 17 Rusama 2026 mu mazi y'uruzi Maragarazi,ku gacimbiri Rundugu, ku mutumba Mudaturwamuri zone Bigina yo mu ntara ya Makamba,mu ntara ya Burunga.

Kubwo ivyabona vyaho,uwo yapfuye,ntiyamenyekanye. Ikiziga coba cabonywe irya mbere n'abantu barengana, kireremba mu ruzi rugabura Uburundi na Tanzanie.

Itorwa ry'ico kiziga cateye umutima uhagaze mu bababa muri ako karere ko ku rubibe,basanzwe bamenyereye amabi akorerwa abantu bijanye no kujabuka biciye mu kinywabi hamwe n'uruja n'uruza rw'abimuka.

Ikiziga cararobwe n'abanywanyi w'abafasha imbabare Croix-Rouge bafadikanije n'abaporisi bari aho hantu.

Ku bwo amasoko yaho,intwaro boba bategetse guhamba vyihuse ikiziga kuri ako gacimbiri nyene,umunsi nyene yatorwa,atamatohoza namwe akozwe kugira hageragezwe kumenya uwo yapfuye canke bamenye imvo nyayo yatumye apfa.

Uruzi Maragarazi ubu rurazwi nk'inzira ikomeye abarundi bafata baja muri Tanzaniyacanke bagarutse mu ntumbero yo gukora ibikorwa biba bigezweho. Ku mwaka ku mwaka,urwaruka rwinshi rujabuka urwo rubibe barondera amahera mu biterwa hamwe n' ibindi bikorwa vyo mu ndimo ku ruhande rwa Tanzaniya.

Ariko ukwo kwiyunguruza ku vyerekeye ubutunzi inyegeje ukuri kubabaje kandi kudatohoje.

Ababa mu karere bamenyesheje kuva kera amabi yo

gusahura,ukunyuruzwa,mbere n'ubw'abarundi barengana. Ingenzi zimwe zemeza ko zafashwe n' imigwi y'urwaruka ruri mu mugambwe CCM ku ruhande rwa Tanzaniya,mugihe abandi bagiriza imbonerakure ku ruhande rw'Uburundi amabi asa ku bantu bava muri Tanzaniya bafise amahera canke ibidandazwa.

Abantu benshi baba ku nkengera, ugusubira gutora ikiziga vyavyuye akahise kabi kandi bitera amakenga ku mutekano muke ubandanya kwibonekeza kuri urwo rubibe.

Iyo zone yari yarahuye n'ivyago muri 2017 igihe uwurongoye zone yaho,umukomiseri wa komine ya Kayogoro hamwe n'indongozi nyinshi mu ntwaro baragiriwe mu rubanza rujanye n'ubwicanyu hamwe no gusahura abarundi bavuye muri Tanzaniya.

Tugeze aho,imvo nyakuri y'urupfu rw'uwo mugabo yatowe muri Maragarazi ntivyamenyekanye. Ukubura amatohoza hamwe n'uguhamba vyihuse ikiziga vyamaze gutera amakenga muri bamwe mubaba muri ako karere.

Mukurindira ko kumenya uwo yishwe,ubwoba burabandanya mu banyagihugu baba kuri urwo rubibe aho,urwaruka rwinshi rw'Uburundi, ukurondera uko rubaho vyahindutse rimwe rimwe urugendo rw' amagirire.

**Ikiziga c'umusirikare w'umukukuruke catowe i Mugera muri komine Gisagara y'i ntara ya Buhumuza**

Ikiziga ca Jean Claude,w'imyaka 50 , caratowe kuwa kane igenekerezo rya 21Rusama 2026 kw'isoko y'i Mugera,muri komine Gisagara,mu ntara ya Buhumuza.

Uwo mugabo yari umusirikare yakukurutse (Ex-FAB). Imvo z'urupfu rwiwe ntiziramenyekana kandi amatohoza arabandanya mu ntwaro no mu giporisi.

Abantu batoye ico kiziga bikekako yoba yapfuye kubera inzoga zikaze cane bita « Kick »,bafatiye ku biyorwe basanze impande y'ico kiziga.

Ariko ayandi masoko avuga ko yoba yarishwe kandi basaba ko hoba amatohoza yimbitse kugira hamenyekane imvo y'ukuri y'urupfu rwiwe

***Ikiziga catowe mu Bwiza muri zone Bwiza muri komine Mukaza mu ntara ya Bujumbura***

Kuwa 22 Rusama 2026,ikiziga c'umugabo atamenyekanye caratowe mu musserege uri kw'ibarabara rya 4 muri karatiye ya Bwiza,muri zone Bwiza, muri komine Mukaza,mu ntara ya Bujumubura, hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba.

Kubwo intahe twatororokanije aho nyene,ababa muri ako karere bavuga ko ibimenyetso vyinshi bituma kwibaza ko uwo yatowe ikiziga yoba yaranizwe imbere yuko ikiziga ciwe bagiterera aho bagisanze. Uwo mugabo yarafise kandi ibikomere mu maso,ibituma abahaba benshi bibazako yoba ya rishwe.

Uwo uri wese ubahirizwa

## II.2. . UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVI-

### II.2.1. Ukuborezwa igufa/ugupfungwa canke ugufatwa bunyamaswa no gusuzugurwa

#### Umwigeme yakubiswe n'umwigisha wiwe muri komine Karusi mu ntara ya Gitega

Kuwa kabiri igenekerezo rya 19 Rusama 2026, hafi y'isaha zitandatu n'inusu z'umutaga,kw'ishure nkuru ya komine y'i GASHANGA,riri ku mutumba GASHANGA muri zone BUGENYUZI ya komine KARUSI, umunyeshure, Divine Mutwakazi,w'imyaka 16 kandi yiga mu mwaka w'indwi,yakubiswe n'umwigisha wiwe. Uwo munsi,umwigisha wiwe w'indimi, M. Egide,umugabo w'imyaka 35 wo mu mugambwe CNDD FDD,yamukubise inkoni cane gushika aho ata ubwenge. Kubwo intahe z'abantu bari bahari, Divine yari yamutoye ngo azane amazi yo gukoropa ishure,igikorwa atakoze. Kubera ubwo bunebwe,yarahanywe na mwigisha wiwe.

Ku bwo ayo masoko nyene,biboneka ko uwo munyeshureyaraherutse gusohoka ibitaro,iminsi itatu imbere,kandi ko inkoni yakubiswe bazikubise neza na neza aho baheruka kumutera inshinge. Ukwo kumuboreza igufa vyoba ari vyo vyabaye intandaro zo guta ubwenge. Bunonyene,bamunyarukanye ku bitaro vy'i Buhiga,aho akiriko arakurikiranwa.Umuryango wa Divine,utabajwe kubera iryo bara,bafashe ingingo yo kwitwara kandi basaba ubufasha bw'igiporisi kugira haboneke umuco muri urwo rubanza.

### II.2.2. Ugufatwa ku nguvu

#### Umwigeme w'imyaka 7 yafashwe ku nguvu i Buruhukiro muri komine Rumonge yo mu ntara ya Burunga.

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 17 Rusama ivuga ko mw'ijoro ryo kuwa 15 Rusama ku mutumba Karagara,muri zone Buruhukiro, muri komine Rumonge, yo mu ntara Burunga,umukobwa akiri muto yitwa N. A, w'imyaka 7 yarafashwe ku nguvu,yarashurashujwe mu gihe yaragiye ku nzu y'ubudandarizo aaho uwamufashe ku nguvu yamunyuruje,amufunga umunwa abona kumushurashuza. Niho mu nyuma umwana yashoboye gukoma induru. Uwakoze iryo bara yitwa Kabura,w' imyaka 65,yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho ko muri zone. Uwo yashurashujwe nawe,yajanywe ku kigo c'ubuvuzi ca Buruhukiro.

#### Umwigeme w'imyaka17 yafashwe ku nguvu n'indongozi yo muri zone Mubone muri komine Mugere yo mu ntara ya Bujumbura

Kuwa 18 Rusama 2026,umunyeshure yitwa N. N, w'imyaka 17, wo mu mwaka wa kabiri,mu gisata c'indimi,kw'ishure nkuru ya komine mu Kabezi iri muri komine Mugere yo mu ntara ya Bujumbura yoba yarashurashujwe n'umugabo akora mu gisata c'ingo n'imiryango muri zone Mubone.

Ku bwo amasoko yaho,ivyo vyabaye hafi y'isaha cumi n'imwe z'umugoroba ku mutumba Kimina, mw'ihoteri ya nyene kumufata ku nguvu,azwi kw'izina rya Alexandre BIRIKUNZIRA.Yahamagaye uwo mwigeme ngo aze gutora amahera y'ishure kuri iyo hoteri. Umwana yaragiyeyo hanyuma amwakirira mu cumba. Atangura kumukorakora hanyuma amusaba ko boryamana kugira amuhe ayo mahera. Umwana yaragerageje kwanka,ariko yaruhiye kumufata ku nguvu.

Umwana yarabwiye ivyamushikiye abajejwe indero kw'ishure ya komine mu Kabezi,baca bamujana badatevye kwa muganga kugira bamukingire indwara. Uwikekwa gukora iryo bara yarahunze,amaze kumenya ko umwana yabivuze vyose.

### *II.2.3. Amabi yo mu mazu*

### *Umugabo yahimbuwe igitsina n'umugore wiwe amwagiriza kuryamana n'uwundi mugore muri komine Makamba mu ntara ya Burunga*

Evariste BIGIRIMANA yaratakaje igitsina ciwe mu ntambara ikomeye yo mu rugo yabaye mw'ijoro ryo kuwa gatatu igenekerezo rya 20 gushika kuwa kane igenekerezo rya 21 Rusama 2026, hafi y'isaha zitandatu z'ijoro. Ivyo vyabereye ku mutumba Buga,muri zone Gatabo, muri komine Makamba,mu ntara ya Burunga.

Kubwo amasoko yaho, umugore wiwe,Olive VUMIRIYA,yagirijwe kugerageza guca igitsina c' umugabo wiwe kubera amahane ajanye no kwikeka ko yoba ashurashurana n'abandi bagore. Akomereketse cane,Evariste yajanywe vyihuse ku kigo c'ubuzima ca Gatabo kugira aronke ubuvuzi bw 'ibanze.

Uwikekwako icaha yarahagaritswe hanyuma ajanwa muri komisariya y'igiporisiya Kayogoro mu gitondo co kuwa kane aho yagumye apfungiwe ku mvo z'amatohoza yamaze gutangura.

Muri ako karere ka Kumoso, abahaba benshi baraziko ivyo kugira abahabara no guharika vyama vyavuzwe mu matati y'imiryango. Naho biri uko,ababanyi bose b'urwo rugo baremeza kouwo mugabo n'umugore bari babanye neza kandi ko atakimenyetso nakimwe kiboneka c'amabi akomye caboneka ubwambere.

Uwo muryango warufise abana 8,ibintu bitangaza cane ababa muri ako karere kubwo ingaruka z'ikibano hamwe n'imiryango iryo bara rishobora gutera.

Ku bwo igiporisi, amatohoza yaratanguye kugira bamenye imvo nyayo y'iryo bara ryamaze gutera ingorane ku banyagihugu baho.

### *Umugabo yaturiwe n'umugore wiwe i Musave muri komine Kayanza yo mu ntara ya Butanyerera*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 18 Rusama 2026,ivuga ko kuwa 27 Ndamukiza 2026,umugabo w'i-myaka 48 yitwa Bucumi willerme ava ku utumba Musave muri komine Kayanza yo mu ntara ya Butanyerera yaturijwe amazi ashushe n'umugore wiwe yitwa Niyibitanga Eliane.

Amakuru yatanzwe n'uwo yaturiwe avuga ko uwo mugore yarafitaniye imigenderanie n'abandi bagabo. Uwo munsi,Bucumi willerme,uwaturiwe, abandanya avuga ko yasavye umugore wiwe igituma atashe ateba hanyuma uwo mugore ashusha amai ku ziko,ashushe inyuma y'iminota mikeye,ayasuka mu mugongo ku mugabo wiwe. Uwo yaturiwe arwariye ku bitaro vya Kayana aho ariko aravurirwa kandi uwakoze iryo bara apfungiwe mu gasho ka komine Kayanza ku mvo z'amatohoza y'ubutungane.

### *Umugore yirukanywe n'umugabo wiwe muri komine Rutana yo mu ntara ya Burunga*

Kuwa gatatu,kuwa 20 Rusama 2026 hafi y'isaha zine,muri karatiye Rutana muri zone na komine Rutana,mu ntara ya Burunga, Anitha Niragira yarirukanywe muhira n' umugabo wiwe Cassien Kabura amwagiriza kugendana n'abahabara.

Ku bwo amasoko yaho,Anitha ataha incuro nyinshi mw'ijoro hafi y'isaha zitatu.Kuwa 22 Rusama 2026,yamaze umunsi wose atari muhira hanyuma umugabo wiwe yarashavuye aravye ingeso y'umugore wiwe,yafashe ingingo yo kumwirukana asubire mu bavyeyi.

## III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA

### III.1.UBURENGANZIRA KU NDERO

***Igihano co kwirukana burundu kiremereye ku mwana w'imyaka 7 i Mugina mu ntara ya Bujumbura.***

Itangazo ryavuye ku muyobozi w'ishure École Sagesse Kabere i Mugina damu ntara ya Bujumbura, kuwa kane igenekerezo rya 21 Rusama 2026 kandi ryashijweko umukono na M. Niyokwizera Philémon,rimenyesha ukwirukanwa burundu ry'umwana w'imyaka 7,yitwa Jean de Dieu. Uwo mwana yagirizwa guhatiriza agakobwa k'imyaka itatu gukora imibonano mpuzabitsina mu muryango iwabo. Umuryango w'uwo muhungu bafata ico gihano nk'indezarugero ku muhungu w'iyo myaka kandi basaba ko boyihagarika,bashimika ko ivyo vyabaye hagati y'abana bato bakiririnira iwabo kandi atari kw'ishure. Ababanyi bamenyeshako bitabereye guhanisha umwana akiri muto ibihano vyo kw'ishure kandi ko impanuro hamwe n'ibihano vyo mu muryango vyoba arizo ngingo zibereye kugira bafashe abo bana kumenya ikoza bakoze.

### III.2.UBURENGANZIRA KU MAGARA

**Amakenga abandanya ko hashobora kwandurwa indwara ya Ebola ku kivuko c'ubudandaji ca Rumonge mu ntara ya Burunga**

Ababa mu Rumonge bari mu bihe vy' amakenga akomeye kubera itangazo riherutse gusohoka rivuga irwirirana ry'indwra ya Ebola muri Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo (RDC). Amakenga menshi ari ku kivuko c'ubudandaji mu Rumonge,aho ingenzi zinjirira hamwe nabadandazo bo mu Burengero bwa Kongo.

Ico kivuko,kiri muri karatiye Kanyenkoko,kenshi cakira ingenzi nyinshi,cane cane izivuye mu burere bwa Kongo nko muri Mbaraka, Mboko, Ubwari hamwe n'ubundi burere bwegaranye. Abadandaza benshi,mukurindira kugurisha ibidandazwa vyabo hamwe no kugura ibidandazwa vy'i Burundi bazodandaza muri Kongo.

Naho hari ivyo bikorwa vyinshi hagati y' imbibe zibiri,ikivuko c'urudandazwa rwa Rumonge ntigifise inzu n'imwe boshiramwo abantu biketswe ko banduye Ebola,bikunyura gutyo ubwoba haba kubahaba ndetse no ku bakozi bakorera kuri ico kirindiro gikomeye. Abakozi bo mu mazi,abaporisi bacungera ikirere,n'imbibe hamwe n'abanyamahanga (PAFE), hamwe n'abaforoma b oku bitaro vya Rumonge bakorera ku kivuko bumva bashobora kwandura umwanya n'umwanya. Abo duhejeje kuvuga,ku murongo wa mbere mu kwakira ingenzi za kongo,bemeza bashimise ko babuze ibikoresho nkenerwa kugira bamenye abanduye Ebola. Amasoko y' abaganga twavuganye avuga ko atanzu n'imwe ikwije ibisabwa kugira bashobore kuvura iyo ndwara ubu iri kuri ico kivuko ,bashira ahabona ikena ry' ibikoresho bibereye vyo kwikingira hamwe n' ibikoresho vyo gupima bikwije ivyangombwa.

Kubwo amakuru yaho,indongozi zo mu ntwaro hamwe no mu buvuzi barishikiyeho ejo hahisi kugira barimbure uko ibintu bimeze,ariko bavuye aho atatanganzo bashizze ahabona. Kuri uyu wa gatatu, Augustin Minani, musitanteri wa komine ya Rumonge,yarahamagaje inama n'indongozi mu ntwaro zaho mu ntumbero zo gukomeza ingingo zo kugenzura inzira zica mu kiyaga ca Tanganyika. Yafashe ingingo zo kwugara inzira zinjira hanyuma amenyesha ko ingenzi ziva muri kongo bategerezwa guca ku kivuko ca Rumonge,inzira imwe gusa izwi n'amategeko. Abakozi bo mu mazi,abaporisi bacungera ikirere,n'imbibe hamwe n' abanyamahanga (PAFE), hamwe n'abaforoma b oku bitaro vya Rumonge bakorera ku kivuko bumva bashobora kwandura umwanya n'umwanya. Abo duhejeje kuvuga,ku murongo wa mbere mu kwakira ingenzi za kongo,bemeza bashimise ko babuze ibikoresho nkenerwa kugira bamenye abanduye Ebola. Amasoko y'abaganga twavuganye avuga ko atanzu n'imwe ikwije ibisabwa kugira bashobore kuvura iyo ndwara ubu iri kuri ico kivuko ,bashira ahabona ikena ry'ibikoresho bibereye vyo kwikingira hamwe n'ibikoresho vyo gupima bikwije ivyangombwa.

Kubwo amakuru yaho,indongozi zo mu ntwaro hamwe no mu buvuzi barishikiyeho ejo hahisi kugira barimbure uko ibintu bimeze,ariko bavuye aho atatanganzo bashizze ahabona. Kuri uyu wa gatatu, Augustin Minani, musitanteri wa komine ya Rumonge,yarahamagaje inama n'indongozi mu ntwaro zaho mu ntumbero zo gukomeza ingingo zo kugenzura inzira zica mu kiyaga ca Tanganyika. Yafashe ingingo zo kwugara inzira zinjira hanyuma amenyesha ko ingenzi ziva muri kongo bategerezwa guca ku kivuko ca Rumonge,inzira imwe gusa izwi n'amategeko. Ariko,iyo ngingo abakozi bo kivuko ntibayemeye neza. Abo batinya kuzoba abantu bambere bazotangura kwandura igihe hotorwaho uwurwaye Ebola,cane cane ukubura inyubakwa zo guhangana n'ico kiza. Batera rero akamo indongozi z'Uburundi kugira ngo ikigo c'ubutabazi gikwije amategeko y'Ishirahamwe mpuzamakungu ry'amagara y'abantu coshirwaho vyihuse,mu ntumbero yo gukinga irandagata y'indwara ya Ebola mu ntara ya Burunga ndetse n'ahandi.

# IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI

## IV.1.UBURENGANZIRA BW'ABANA

### IV.1.1.UBWICANYI BUKORERWA ABANA

### *Ikiziga c'uruyoya catowe muri komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza*

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 20 Rusama 2026 ivuga ko ku wa06 Rusama ,mu tuzu twa surwumwe tw'ishure nshingiro rya Karago,muri zone Minyare,muri komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza, ikiziga c'uruyoya caratowe.

Ku bwo amasoko yaho,uwikekwa ko icaha ni umugore yubatse yitwa Ines Nshimirimana n'umugabo wiwe azwi kw'izina rya Melchiade.Uwo mugabo yagiye muri Tanzanie hanyuma agarutse,umugore wiwe yasanze afise inda. Umugore yaramarajwe n'iyo nda,mugihe umugabo wiwe yaramaze imyaka itari mike atari muhira.Yaheze umugabo wiwe ko arwaye mu nda kandi ko akeneye imiti. Umugabo yamuha umuti w'ikirundi mugihe atarafise inda. Arayifata hanyuma inda irakoroka muga arabinyegeza kandi yataye urwo ruyoya mu kazu ka surwumwe y'iyo shure iri hafi. Urugo rwegereye ishure. Umukobwa wo kuri iyo shure agiye mu kazu ka surwumwe yabonye ikiziga c'uruyoya hanyuma abwira abandi ivyatumye bimenyekana mu ntwaro. Abantu barashoboye gukurayo ico kiziga hafi y'isaha cumi hanyuma intwaro ziramuhambisha. Inyuma y'amatohoza,umugabo n'umugore wiwe barahagaritswe hanyuma bapfungirwa mu gasho ka Cankuzo.

### *Urudandazwa rw'abigeme muri komine Mwaro mu ntara ya Gitega*

Inkuru yaskiriye umuhari Iteka kuwa 22 Rusama 2026,ivuga ko hari ibintu bitamenyerewe vyabaye kuva mu ndwi iheze muri zone Nyakararo mri komine Mwaro mu ntara ya Gitega, aho abigeme bo mw'ishure y' intango batwawe n'abantu bakuze babajana ahantu hatamenyekanye.Amasoko yaho, kuwa 15 Rusama 2026,hari ku wa gatanu w'indwi iheze,abakobwa 5 bo kw' ishure ntoya yo muri zone Nyakararo bari batwawe n'abo bantu. Batatu barasubiye mu miryango yabo.Uwitwa Kevin umudandaza w'i Nyakararo yoba yari mubunguruje abo bakobwa n'i moto,yarahagaritswe n' igiporisi,hanyuma ararekurwa. Abandi bahagaritswe kumvo z'amatohoza.

Muri abo banyuma harimwo umwigishakazi wo kw'ishure nshingiro ya Nyakirwa yo muri iyo zone nyene,yitwa Mediatrice. Kuri bamwe,abo bana boba bajanwa i Bujumbura kugira bakore akazi ko mu nzu. Abandi bavuga ko boba bajanwa muri Tanzaniya. Abavyeyi basaba intwaro n'igiporisi kugira bakore amatohoza yigenga kugira urwo rudandazwa rw'abakobwa bakiri bato bworandurwa burundu.

## *V. UGUSOZERA HAMWE N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

**Kuri Reta y'Ub*urundi* :**

1.Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga ;

2.Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo.

2.Gufata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure akabi bakoze,

3.Kuraba ko ubutunzi bw'igihugu bwoba inyungu nyamukuru w'abanyagihugu kandi ko zitoba inyungu yok u gatwe k'indongozi zimwe zimwe hamwe n'abasirikare bo ku rwego rwo hejuru n'igiporisi,

4.Gushiraho ubuhinga bubereye kandi bwihuta bwo gukingira Ebola abanyagihugu b' abarundi cane cane ababa ku rubibe rwa Repuburika iharanira demokarasi ya kongo.